
# Bibiliya y'Abana
Ishikirije

# Ezekiyeli, Umuntu W'amayerekwa




Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: Ruth Klassen

Isobanurwa mu Kirundi na:
Manurakoze Pacifique



Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org




©2024 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.




Haraheze igihe kirekire, ingabo z'abansi bateye i buyuda baca batwara abantu mukinyago i baburoni. Bajanwe kure cane y'iwabo, abo bayuda baba hafi y'uruzi kebari. Muri bo harimwo ezekiyeli, umuvugishwa n'Imana.



Umusi umwe, Imana iha iyerekwa Ezekiyeli. Ubwiza bw'Imana bumubonekera busa n'umuco ukayangana, kandi mw'ishusho y'ibikoko bine. Kimwe kimwe cose cari gifise mumaso hane n'amababa ane. Musi yavyo hari ikintu gisa n'ibuye ry'igiciro safiro kimeze nk'intebe y'ubwami. Muri iryo yerekwa ezekiyeli arwa yubamye.



3


Imana ibarira Ezekiyeli iti: "Ndagutumye kubana ba Isirayeli. Ubabwire amajambo yanje, kuko ari umuryango w'abagarariji." Haboneka ukuboko, gufashe umuzingo w'igitabu. Imana imubwira iti: "Rya uwo muzingo, kandi genda ubwire ab'inzu ya isirayeli." Mbega itegeko ritangaje!




Ariko ezekiyeli arumvira, arya uwo muzingo hanyuma aragenda.

4

Mpwemu w'Imana afata ezekiyeli amujana mubayuda bari mubuhungiro mukindi kibanza kiri k'uruzi kebari. Aho yahamaze imisi indwi, atangaye hagati muri bo. Hanyuma Imana ihindura ezekiyeli umuteramyi. Yategerezwa kugabisha ubwoko bubi kureka kugarariza Imana.



5



Ezekiyeli yakoze ibintu bitangaje kugira ngo abantu bashobore gutahura ijambo ry'Imana. Yarabumvye mw'ibumba ritoyi ishusho ya yerusalemu ikikijwe n'ingabo zikomeye. Kumbure bamwe barabiraba bacishije hejuru y'ibitugu vyiwe. Yashaka kwerekana ko igisagara cera c'Imana kigiye guterwa vuba kigasamburwa.

6

Isirayeli, ubwami bwo muburaruko, bagararije Imana imyaka amajana atatu na mirongo icenda (390) i buyuda naho, ubwami bwo mubumanuko bagararije Imana imyaka mirongo ine (40). Nico gituma isirayeli hasambuwe, kandi n'i yudaya hari hagiye gusamburwa.





7


Imana ibwira ezekiyeli kuryamira urubavu rwiwe rw'ibubamfu imisi amajana atatu na mirongo icenda (390), hanyuma aryamire urubavu rwiwe rw'iburyo imisi mirongo ine (40) kugira ngo yibutse abantu imyaka bamaze muvyaha.





8



Abantu baca batangura kwiyumvira ko ezekiyeli ari umuntu adasanzwe. Yakora ivyo Imana yamubwira gukora. Umusi umwe, amwa umushatsi wiwe wose, aca aturira ica gatatu cawo. Kwari ukugira yerekane ko ica gatatu c'abantu b'i yerusalemu bari bagiye kwicwa n'inzara igihe ingabo z'i babuloni zizoterera igisagara.
9



Ezekiyeli afata ikindi ca gatatu c'umushatsi wiwe agikubita inkora. Ivyo kwari ukugira yerekane ko ica gatatu c'abantu baba aho bari bagiye kwicwa n'inkota y'abansi babo. Ezekiyeli aca atumurira m'umuyaga ica gatatu gisigaye. Ariko asigarana udushatsi dukeyi mumpuzu ziwe, nk'ikimenyetso ko Imana izozigama igice gitoyi c'abantu bayo,
Bazoshobora gusubira mu gihugu c'isezerano.
10



Uwo muvugishwa n'Imana abwira abayuda bajanwe mukinyago ko ibintu bishobora kuba bibi cane, atari vyiza nk'uko bari bavyiteze. Abantu baca bashavurira ezekiyeli, ariko abandanya kubabwira ijambo ry'Imana. Umusi umwe Ezekiyeli yari yicaye arikumwe n'abakuru, Imana ica imuha iyerekwa. Muri iryo yerekwa, Imana imufata imishatsi imuterera mungoro y'i yerusalemu.
11



Muri iyo ngoro, Imana yereka ezekiyeli ibintu bigenda vyikwega hasi, ibikoko bizira, hamwe n'ibigirwamana. Ivyo ntivyari bikwiye kuba mungoro y'Imana.
12



Abo bakuru basenga ibintu aho gusenga Imana, Imana ica yereka ezekiyeli ko ubwiza bwayo bugiye kuva muri iyo ngoro kandi ko izoca isamburwa. Iryo yerekwa riheze, ezekiyeli abibarira abayuda.
13



Ivyo Imana yari yaravuze vyose birashika. Yerusalemu harasamburwa. Abantu beshi barahona. Igihe abayuda bajanwe i babuloni bumva ivyabaye, baciye batangura kwibaza niba Imana yoba yarahevye abantu bayo ubutagisubira kubibuka.
14



Ariko Imana irungikana umuvugishwa wayo ubundi butumwa. Imana ijana ezekiyeli mukiyaya cuzuyemwo amagufa y'abantu yumye.
15


Imana ibaza ezekiyeli iti: "Mwana w'umuntu, ayo magufa yosubira kuba mazima?" Nawe arishura ati: "Mwami Uhoraho, wewe urabizi." Amagufa yumye ntiyoshobora gusubira kubaho.
16



Uhoraho aravuga ati: "Vugira kuri ayo magufa, uyabwire uti magufa yumye, nimwumve ijambo ry'uhoraho! Kandi murabaho." Amaze kwumvira, ezekiyeli aca yumva urwamo rw'ibintu biriko biragendagenda. Mwibaza ko vyari ibiki?
17


Mugihe umuvugishwa n'Imana yabiraba atangaye, imibiri yariko iriyegeranya, ifatana, igufa rifatana n'irindi gufa.
18


Hanyuma umubiri urayafuka.
19


Mugabo, wari umubiri gusa uyafutse, ariko nta mpwemu zari muribo.
20

Uhoraho aravuga ati: "Vugishwa, mwana w'umuntu, uvuge uti, impwemu, muzanwe n'imiyaga yo mumpande zine, muje muri aba bantu bapfuye basubire babe bazima." Ezekiyeli abikoze, impwemu zinjira muribo, bajamwo ubuzima baca bahagarara kubirenge vyabo.







Imana yari izi ko abayuda bari i babuloni batakaje icizere babonye yerusalemu hamaze gusamburwa. Imana iravuga iti: "Ayo magufa ni umuryango wa Isirayeli." "Nzoshira impwemu yanje muri mwebwe, nzobasubiza mugihugu canyu."





Mbega ubutumwa buhambaye bw'umwizero, buvuye kumana! Amasezerano y'Imana yatanzwe biciye muri Ezekiyeli yarabaye ukuri igihe abayuda basubira mumatongo yabo bwite. Bari babizi ko ari Imana yahabagarukanye.






Ezekiyeli, Umuntu W'amayerekwa

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Ezekiyeli

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge." Zaburi 119:130






29 60



Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi:
Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16